N’iki guhahaza umwana?

IMIRYANGO IRIMWO UMUTEKANO KU BANA

Abana nka bose bari mu bigero bitandukanye bakunda gukora ibintu bitera ishavu abavyeyi. Igikenewe n’uko iryo shavu ridatuma ukomeretsa umwana.

Amategeko acungera uko abana barezwe muri Australia, arakingira umwana wese ku bijanye n’uguhahazwa n’abavyeyi babo. Ayo mategeko araba abantu bose, ntaraba abaje nk’impunzi gusa.

Buri mwaka muri Australia, abana benshi barakomeretswa n’abavyeyi babo.

Iyi ni ingorane mu kibano hose muri Australia kandi bavyita guhahaza umwana.

Australia irashigikira amaszerano Mpuzamakungu (United Nations) ibihugu vyishize hamwe kugira bikingire abana guhahazwa. Guhahazwa bishobora kuba mu buryo bw’umubiri nk’ugukoreshwa imibonano mpuzabitsina,canke mu guterwa agahinda.

Guhahazwa mugukoreshwa imibonano mpuzabitsina: Ivyo bivugwa mugihe umuntu akuze yoheje umwana ari musi y’imyaka 16 ko bokorana iyo mibonano.

Iki ni icaha c’agahomerabunwa muri Australia.

Guhahazwa mu buryo bw’umubiri: ivyo bivugwa mugihe umuvyeyi arengeje muguhana umwana; aho ni nko gubitisha ingumu,ikofi umusipi, inkoni canke ikindi kintu. Bishobora kandi kuba guhana umwana mu kumuturiza itabi, kumuniga mw izosi canke kumujegeza.

Abantu barakunda kwitiranya ‘indero’ n’’igihano’, ariko biratandukanye cane.

Indero n’ukwigisha umwana ingene yifata agahindura ingeso mbi. Bimufasha kwiyubaka n’ukwiyumvira kuri kazoza kiwe.

Igihano kugerageza guhinduza umwana ingeso ukoresheje kumubabaza.

Ntibihindura ingeso uravye akazoza k’umuntu.

Gukubitwa vyigisha umwana ko gukoresha igikenye, ingimba, vyemerwa nk'aho ari uburyo bwo gutunganya'ingorane.

Hari ubundi buryo bwo guhahaza arivyo bita **guhahaza mu vyiyumviro canke mu rukundo**. Aha ni nko mu gihe umuvyeyi aguma asubiramwo igitutsi kimwe kenshi bigatuma umwana atakimwizera nawe nyene akihebura.

Gutuka umwana, kumubwira amakosa gusa buri gihe, kutamwereka urukundo no kutamwitwararika biratuma agira ivyiyumviro vy'agahinda.

Ikindi gitera umwana ivyiyumviro vy'agahinda ni ugushwana canke kurwanira aho abona kw abavyeyi.

Ukutitaho ivyo utegerezwa: ni igihe umuvyeyi adashimishije umwana mu bintu bikenewe nko kumugaburira, kumushira mw'ishure n'ukumugirira isuku.

Iyo ubabaje umwana muri ubwo buryo, Igisata kiraba Imryango n'ineza y'Abana kirashobora kugukwrikirana,kubijanye n'uko umwana arezwe canke kw'ishure yigako bakabikubaza.

Abavyeyi bamwe bamwe bifuza kumenya igituma ubutegetsi bwinjira mu bibazo vy'ingo n'imiryango yabo. Menya ko mu gihe hagize uwumenyesha

ko hariho umwana afise ingorane mu muryango akabivuga,ubutegetsi burabikwirikirana bukamenya neza imvo n'imvanovyatumye abavyeyi bahahaza umwana.

Ubushakashatsi burerekana neza ko umwana yigeze guhohoterwa agira ingorane mw'ishure, n'uko yitwara mu bandi bagenzi biwe.

Ashobora n'ukuba umwana atubaha kandi agorana.

Hari ubundi buryo bwo guha indero umwana atari kumukubita canke kumutera ubwoba n'ibindi. Bumwe muri ubwo n'ukumuganiriza, kumwumviriza mu kumvikana.

Mwibuke ko kurera bigoye ni vyiza kurondera uwugufasha mu gihe uri kure y'incuti zawe.

Hari amashirahamwe ategekanya impanuro zitandukanye bigafasha kandi bikakwereka ingene wokwifata mu rugamba rwo kurera.

Abana bose barakeneye umutekano, amagara meza n'umunezero mu buto bwabo.

Aha hari urutonde rw'aho ushobora gusaba bakagufasha:

- **Telephone Interpreter Service (TIS) National** (Igisata gifasha guhindura mu zindi ndimi ku telefone)
  131 450 (amasaha 24 misi yose)
- **Parentline (itelefone ifasha abavyeyi)**
  (07) 3369 1588 / 1300 30 1300 (kuva isaha 2 zo mu gatondo gushika isaha 4 z'ijoro)
  Bafasha guhanura mu bijanye no kurera.
- **Qld Program of Assistance to survivors of Torture and Trauma (QPASTT)**
  (07) 3391 6677
  Umugambi wo gufasha imiryango guhanura ingorane ziterwa n'urwaruka rw'imico itandukanye.
- **Kids Help Line** (Telefone ifasha abana mu ngorane)
  1800 551 800
  Bafasha guhanura abantu bari hagati y'imwaka 5 na 25.
- **Ubushikiranganji bw'abanygihugu bujejwe kwitaho umutekano w'abana, hamagara kuri:**
  1800 811 810 / Inyuma y'amasaha y'akazi hamagara kuri: 1800 177 135
  Izi nomero zose zirafasha ku Bantu bafise ingorane zo gukingira abana
- **Ikigo kiraba amagara y'abana, telephone ni:**
  1800 177 279 Umurongo wa telefone kuvyerekeranye n'amagara y'abana, amasaha 24, imisi ndwi ku ndwi.
  13 432584
- **The DVD' Raising Children in Australia; for parents of young children in Australia' Ni DVD yerekeye irera ry'abana muri Australia**; ku bavyeyi bafise abana bato muri Australia (Yasiguwe mu ndimi 10 z'ikinyafrika) iraboneka mu Bushikiranganji bw'Imibano,Inyubakwa, Iterambere ry'Abanyagihugu n'Ibijanye n'Ukwitaho Benubutaka, arico bita (FaHCSIA)

MDA Multicultural Development Association

This document was developed by Multicultural Development Association (MDA) with funding from the Australian Government Department of Families, Housing, Community Services and Indigenous Affairs (FaHCSIA)